LIGUE BURUNDAISE DES DROITS DE L'HOMME
"ITEKA" association sans but lucratif
Agréée par l'ordonnance ministérielle n°530/0273 du 10 novembre 1994 revoyant l'ordonnance 550/ 029 du 6 février 1991
Membre affilié de la fédération Internationale des Ligues des Droits de l'Homme (F.I.D.H)

**LBDH/014/2026** Kampala, 07/06/2026

# ITANGAZO

**Kw'iterabwoba ryakorewe Faustin Ndikumana, umuyobozi mukuru w'ishirahamwe ridaharanira inyungu za politike mu Burundi PARCEM**

Umuhari ITEKA urashikiriza amakenga menshi kw'itotezwa riguma rikorerwa **Faustin Ndikumana,umuyobozi mukuru w'ishirahamwe ridaharanira inyungu za politike mu Burundi PARCEM**, ishirahamwe ridaharanira inyungu za politike,ryo mugihugu hagati ,ridahengeshanya gukebura abarongozi bo hejuru muri politike kuvyerekeye intwaro itabereye hamwe n'ubukene bukabije aho babandanya bashikana abanyagihugu mu bukene buzura inzara.

Umuhari ITEKA urarajwe ishinga cane n'ukubona, hadaciye igihe kinini, muri Munyonyo mwaka w' 2025, umukuru w'Igihugu, Évariste Ndayishimiye, ubwiwe nyene yarifatiye mu gahanga uwo aharanira intwaro ibereye hamwe n'uburenganzira ku butunzi,imibano n'imico kama,gutyo bikerekana ukutihanganiranira kw'iwe kuvyerekeye ubwigenge bwo gushikiriza ivyiyumviro butegerezwa kuranga ishirahamwe ryigenga ryose.

Muri uwo mwihwezo, tunafatiye ku marementanya menshi yakozwe n'igipolisi, abakozi b'iperereza hamwe n'akagwi k' Imbonerakure, vyatumye haba ihagarika ridakurikije amategeko,ukunyuruzwa hamwe n'ubwicanyi,umuhari ITEKA uranegura intumbero yo gushira ibigwanisho mu bunywero bwa Faustin Ndikumana kuwa 17 Rusama 2026, ubunywero buherereye muri karatiye Kinyami ,muri komine Ngozi, mu Ntara ya Butanyerera.

Umuhari Iteka urashima inyifato nziza y'abakozi bo mu bunywero,bo,bamaze kubona umufuko wikekwa kuba urimwo ibikoresho vya gisirikare harimwo inkoho imwe,baciye bahamagara igipolisi ubwonyene kugira babibone.

Umuhari ITEKA kurundi ruhande uriyamiriza wivuye inyuma ihagarikwa n'ipfungwa ry'abakozi 6 bo muri ubwo bunywero bagize iyo nyifato nziza. Ukubagumizwa mw'ibohero ,ubu haciye hafi indwi zitatu,biteye amakenga ku mutekano wabo.

Muri iyo ntumbero, umuhari ITEKA uhamagarira Reta y'u Burundi :

1. Gukora amatohoza adahengamye kugirango hamenyekane umuntu canke abantu bashize uwo mufuko w'ibikoresho vya gisirikare mu bunywero bwa **Faustin Ndikumana**, hamwe n'abategetse gukora ico gikorwa kigayitse ;

2. Kurekura abakozi bagize inyifato nziza yo kumenyekanisha ko hari ibigwanisho biri ahantu bitategerezwa kuba, irekurwa ryabo ntiribuza ko bokumvirizwa nk'ivyabona mu matohoza hamwe no murubanza rujanye n'ivyo ;

3. Gufata ingingo zose zibereye zo guhagarika ihohoterwa rikorerwa abari mu mashirahamwe yigenga ku butaka bwose bw'igihugu.

**Kubwo umuhari Iteka**

**Anschaire Nikoyagize**

**Uwurirongoye**



N° **014** /2026